***Umugambi wa North Carolina Infant-Toddler Program***

# *Ibibazo bikunda kubazwa Igenzura ry'amafaranga hamwe n'ugushirwa mu vyicaro*

**1. Ni kubera iki ITP ikora igikorwa c'igenzura ry'amafaranga hamwe no gushira mu vyicaro?**
Iki gikorwa gituma bizera neza ko impinduka zihariye zijanye n'amafaranga umuryango w'injiza zihwejwe, mu gihe bikenewe, kugira herekanwe ubushobozi bw'umuryango bwo kuriha ibikorwa wakorewe. Ubushobozi bwo kuriha ibikorwa bwerekanwa na ITP y'urugero rw'ijanisha ry'amafaranga (SFS). SFS ishingira kukugene umuryango ungana hamwe n'amafaranga yose hamwe umuryango winjiza yemejwe (AGI).

**2. Ni mu bihe vy'ubutunzi nshobora gusaba guhindurirwa icicaro ndimwo?**
Gusaba guhindurirwa icicaro birashobora gukorwa kubera impinduka zishobora kuba zaragize ingaruka zikomeye ku bushobozi bw'umuryango bwo kuriha ibikorwa. Mu migwi y'ivyicari harimwo gutakaza uburaro, gutakaza akazi/ikiguzi canke gutanga amafaranga y'umurengera ku mwaka mu buvuzi.

**3. Ni gute basaba guhindurirwa icicaro?**
Uzuza igenzura ry'amafaranga hamwe no gusaba guhindurirwa icicaro kugira utangure ico gikorwa. Umuhuzabikorwa wawe arashobora kugufasha muri iki gikorwa.

**4. Ni ibihe vyangombwa mu kurungika gusaba kwemererwa?**
Hepfo hari tumwe mu turorero kuri buri mugwi w'icicaro. Ibiro vya CDSA birashobora gusaba amakuru y'inyongera y'igenzura.

Gutakaza uburaro:

- Gusaba ukwitegekaniriza kuriha amafaranga yose watakaje/ugutakaza amafaranga gukomeye gusaba umuryango kwimukira ahandi
- Amakuru ya banke canke amakuru asabwa, mu gihe habaye gufatira inzu bikozwe na banke bitewe no

Gutakaza akazi canke amahera wahora winjiza:

- Amakuru yerekeye ukutagira akazi hamwe n'utundi turusho
- Imenyesha ritanzwe n'umukoresha
- Mu gihe ata kete ry'umukoresha rivyerekana, umuryango urashobora gutanga iketeririmwo:
  - izina ry'umukoresha wahora ukorera
  - amakuru y'aho bokuronderera
  - amatariki wahinduriyeko akazi
  - igitigiri ca'amafaranga watakaje

  Mu gihe CDSA ishobora kugenzura ayo makuru ibi birashibora gukoreshwa mu gutohoza ibikenewe.

Amafaranga y'umurengera watanze mu buvuzi:

- Amafaranga watanze mu kwivuza ategerezwa:
  - kugaragara mu kirangamisi umwaka
  - ntasubizwa canke ntasanzwe asubizwa kuri konte yo kwiziganiriza mu buvuzi
  - Amafaranga yose hamwe wasohoye atagerezwa kuba angana canke arenga AGI kw'ijana ikoreshwa muri iki gihe n'ibiro bijejwe amakori mu gihugu, kandi yubahirije insiguro ya IRS y'amafaranga atangwa mu kwivuza. Kuri purusantaje ya AGI ikoreshwa muri iki gihe hamwe n'insiguro y'amafaranga akoreshwa kwa muganga, urasabwa kwisunga amabwirizwa yagenwe muri A ku rubuga rwa IRS (irs.gov).
- Amafagitire yo kwa muganga, ama resi warihiyeko, hamwe n'insiguro z'uturusho (EOB)
- Amakuru y'integuro y'ukwitegekaniriza/ ikarata y'umunyamuryango mu gihe idasanzwe iri muri dosiye ya CDSA

## 5. Ni ryari nzomenya ko ubusabe bwanje bwemewe?

CDSA itegerezwa gufata ingingo mu gihe c'imisi 30 uhereye igenekerezo ivyangombwa vyose bisabwa vyakiriweko. CDSA izogenzura igihe ivyangombwa vyose bisabwa vyatangiwe. Iryo genekerezo rizoshirwa mw'ifishe yo gusaba kwemererwa. Uzokwakira ikete rikumenyesha ivyerekeye ugusaba kwemererwa kwawe. Inama ya IFSP izokorana, mu gihe bikenewe, kugira isuzume iyo ngingo, ijanishe n'igihe IFSP, hanyuma yuzuze impapuro zijanye n'amafaranga. Umuryango urashobora gukurikiza uburyo butegekanwa na reta bwo gutanga ikirego mu gihe habaye ukutunvika.